Uwo wese azokwadukana gishasha muri iri dini ryacu, kitari mu vyo twigishije, kizomugarukako(azogisubizwa, ntikizokwakirwa namba)

Mu vyakiriwe na Aisha (Imana Allah Imwishimire) yavuze ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti: "Uwo wese azokwadukana gishasha muri iri dini ryacu, kitari mu vyo twigishije, kizomugarukako(azogisubizwa, ntikizokwakirwa namba)". Iyi nyigisho y'intumwa yashikirijwe na Al-Bukhaariy na Muslimu. Mu bwakirizi bwa Muslimu hakoreshejwe aya majambo: "Uwo wese azokora igikorwa kitari mu vyo twigishije, azogisubizwa, ntikizokwakirwa namba".

[متفق عليه] [صحيح]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) aratomora ko uwadukanye bishasha mw'idini canke uwukoze igikorwa kitagira icemezo kicemeza kiri mu Gitabu canke mu nyigisho n'imigenzo vy'intumwa, kizosubizwa kuri nyeneco kitemewe n'Imana Allah.

http://www.sunnah.global/hadeeth/rn/show/4792